**ALL MEN WERE BORN WITH SIN**
**Luc. 18:9-14 ; Mark 7:20-23**
Lesson 72
Memory verse: "*For as in Adam all die, so also in Christ all will be made alive."* **I Corint. 15:22**

**ABANTU BOSE BAVUTSE ARI ABANYAVYAHA.**

ICIRWA CA 72

**Luk. 18:9-14. Mark 7:20-23 ;**

Ijambo ryo gufata k'umutwe : ***« Nk'uko Adamu yandukije bose gupfa, ni ko muri Kristo bose bazohindurwa bazima*** » **I Kor. 15:22**

**I. Intangamarara**

Abantu baribaza ibibazo vyinshi kubijanye no kwihana : Ni inde akwiye kwihana ? Ni inde ari umunyavyaha imbere y'Imana ? Ikibazo kuri wewe ni iki ngo : wewe ubwawe wiyizi gute? wibaza ko Imana ikubona gute ? Ni inde wibaza ko yoba ari umugororotsi ? Mu mitima y'abantu niho ivyaha birunze. Uyu mutozakori wewe yemeye guca bugufi aravyemera aravyihana kandi yamanutse aja iwe ahariwe.

**II. Ni inde akwiye kwihana ?**

Wokwibwira ko uwukwiye kwihana ari uwo wabonye akora ivyaha vyinshi, ivyo bita bidaharurika. Bene aba bakoze ivyaha bikabonekera bose ni abantu beza cane. Iyo yiyumviye kubivamwo ; arabiheba, abantu bakabibona mbera bagakorera Imana n'imitima yabo yose. Abantu bateye ubwoba ni abo biyumvira ubwabo ko ari abagororotsi.

Bene aba, iyo binjiwemwo n'impwemu y'ikibi mu mitima yabo ; baragikora kandi ntibibabuze gusenga no kuba mu bikorwa vy'Imana mu mashengero. Abahora babazigamwo ukuri bagatangara.

**III. Ukwimenya uwo uriwe**

Biragora abantu kumva mu mitima yabo ko boba ari abanyabicumuro. Iyi ntambuko niyo ngirakamaro cane mu buzima rukristo. Iyo umuntu atarayishikira ; aguma yibereye mu kwiremesha.babayeho ubuzima badatinya uburyarya,

ibinyoma ntibibatera ubwoba,  biranashika bagasambana ntibumve n'ubwoba mu mitima yabo.  Ivyaha vya kameremere nivyo biberamwo. Ntibarigera bashikira intambuko yo kwezwa ngo bamere nk'uyu mutozakori.

Abenshi baragera no gupfa bakiri muri uku kutitahura bagatangara bageze k'umuryango w'ijuru basubijwe inyuma. Saba Mpwemu Yera akumenyeshe uwuriwe koko.

**IV. Kuki abantu banezererwa n'ugukora ivyaha ?**

Zaburi ya 51 umurongo wa 5 havuga ngo : ***« Raba, nabumbanywe ukugabitanya ; mu vyaha niho mama yamvyariye. »*** kuva umuntu wambere acumura, abamukomotseko bose bavukana iyo kameremere yo gukora ikibi. Akenshi Umuntu aranerererwa  iyo abonye icago kibaye k'uwundi. Ni nkuko anezererwa n'amakuru y'ivyago ariko araba ahandi hantu. Iyi kamere yavuye kuri Adamu. Niwe yanduje bose ubwo bupfu kuva acumura ku Mana.

Ibi bibi vy'umuntu bimuba mu mutima, ntibisaba ko umuryango wiwe canke ababanyi barinda kubimwigisha. Ibiva imbere mu muntu nivyo bimuhumanaya.

Imana imaze kubone iyi mbuto yinjiye mu muntu, yamwimye ububasha bwo kumenya ico uwundi yiyumvira n'ubwo kubona ibiri mu mutima wiwe. Umuntu yokoresha imvugo y'ikigongwe canke yo kurira akerekana umutima w'akagongwa ; ariko ivyo ariko yerekana bitandukanye n'ukuri kuri mu mutima wiwe koko.

**V. Yesu umucunguzi w'abantu.**

**Yoh. 1:4 *« Muri we harimwo ubugingo, kandi ubwo bugingo bwari umuco w'abantu.*** » Turashobora kuronka ubwo bugingo. Igikenewe imbere ya vyose ni umutima wemera ko uri umunyavyaha. Ugakurikiza kuvyihana,

Ukwemera ko uri umunyavyaha, ntibigusaba ibiharuro vyinshi. Ni ukumenya ko uri umuntu aho, uca wumva ko uri umunyavyaha atari ivyo wakoze gusa, ariko hari n'ivyo wavukiyemwo.

Ukwihahana ivyaha, bisaba ko biba vyababaje nyenevyo akumva yipfuza icomukura muri ubwo buzima bubi.  Aha,urasenga ukakira Yesu kuko muri we niho hari ubugingo. Urashobora kurondere abarongozi b'ishengero bakakurongora muri ico gikorwa co kwihana bakanagusengera. **Yoh. 20:23** *« kandi*

*abo muzoharira ivyaha bose, bazoba babihariwe ; ariko abo nutazobiharira bose, ntibazoba babihariwe. »* wizeye uraharirwa.

**VI. Gushira mu ngiro.**

Umwe wese arakeneye amaraso ya Yesu kugira yozwe ivyaha. Haba ivyo wokwitwa vyinshi canke ukavyita bike, vyose ingero ni imwe. « Urupfu » Ntahandi tworonkera ugutsindanishirizwa n'ukwezwa atari mu maraso ya Yesu. Urupfu rwazanye na Adama ; ariko Yesu nawe yaje ngo aguhe ubugingo budashira niba vyukuri ubukeneye. Niba wumva wipfuza izo mbabazi, urashobora guhaguruka ugasenga nk'uyu mutozakori ubu nyene, Yesu arahari araguharira vyose kandi uje gutaha wahariwe, umutima utunganye. Maze akwandike mu gitabo c'ubugingo.